➢ Bavukanyi mwese,
➢ Bakristu dusangiye Ibanga ryo kwemera ;

TUGIRE KRISTU

1. Kuri uyu musi w'igenekerezo rya 15, ukwezi kwa Myandagaro, umwaka ugira mirongo itandatu Uburundi bushizwe mu maboko y'umuvyeyi wacu Bikira Mariya ngo abe umukandizi wabwo, twaje tuva mu mihingo yose y'Uburundi ndetse n'abanyamahanga barimwo, tuje kuri uyu musozi, mu Mana za Mugera, kugira dusubire dukengurukire Imana Mushoboravyose, twongere tuyambaze duciye ku Muvyeyi Wacu Bikira Mariya.

2. Twaje rero tuzanywe n'imanza zibiri : Gushemeza iyurizwa mw'ijuru ry'Umuvyeyi Bikira Mariya ariko kandi twigina isabukuru ridasanzwe y'ishirwa mu minwe ya Bikira Mariya Uburundi ngo abe umukandizi wabwo.
None rero imbere ya vyose nagomba nsabe twebwe twahishikiye ngo tubanze dukomere amashi Imana yacu mu kuyikengurukira.

➢ Mwanyakwubahwa,
➢ Bavukanyi mwese

3. Uyu musi ntusanzwe ku buzima bw'igihugu.
Ntusanzwe kuko, uretse ko duhimbaza iyurizwa mw'ijuru ry'umuvyeyi Bikira Mariya, utwibutsa kandi n'ubunywanyi hagati y'uburongozi bw'igihugu c'Uburundi na Ekleziya Gatolika y'Uburundi.

Kubona twaje, duherekeranya, jewe n'abepiskopi n'ibibagabaga vyabo, tukaduga kuri uyu musozi, mu Mana za Mugera, si ivyikoze na gatoyi, eka ni igihamana. Erega kuva kera na rindi, Imana yarashiraho uburongozi bw'igihugu, igaca igena n'abaherezankuka hamwe n'abahanuzi babunganira ubwo burongozi mu guhereza inkuka no guhanura abarongozi ngo ntibahube.
Nico gituma igihe Imana yagena Musa ngo arongore ihanga ryayo, yaciye inagena Aroni ngo abe umuherezankuka, ndetse Miriyamu nawe amubera umuhanuzi.

Birumvikana rero ko mu murongozi n'umuherezankuka, umwe wese afise amabanga Imana yamujeje ariko bagahuriza hamwe kuko Imana irafise ubutumwa iha indongozi bwo kuyobora abantu kandi abantu na bo barafise amashikanwa bashikanira Imana baciye ku baherazankuka.

Mwibuke, igihe Sawuli yaca kubiri n'ibanga yajejwe, akiha uburenganzira bwo guhereza inkuka,

Imana yaciye imurahira ko ubwami bwiwe butazoragama. (tubisanga mu gitabu ca mbere ca Samueli 13 : 8-14).

Ico nico cerekana ko umwami afise ubutumwa bwiwe, umuherezankuka nawe agatumwa ivy'iwe bimuraba.

Natwe mu Burundi ni uko vyamye, kubera twasenga iyi Imana imwe rudende, umwami yama na ntaryo afise impande yiwe uwo bafata nk'umuherezankuka, Kiranga.

Twibuke kandi ko nabo Barundi bakera baduga kuri uyu musozi, aha nyene, baje kuhambariza Imana y'Uburundi.

Erega muraza muribuka ko no ngaha kugira ngo hagenwe nk'ikibanza c'igihugu co guhimbarizamwo Umuvyeyi Bikira Mariya, abarongozi b'igihugu barongowe n'Umuganwa Rudoviko RWAGASORE, n'abaherezankuka baje bazananye ku wa 15 Myandagaro mu 1961, none raba iki kibanza cararamye.

4. None rero, ni twaba uno musi twaduganye ngaha mu Mana za Mugera, abarongozi b'igihugu bakaja hamwe n'abaherezankuka, duherekejwe n'aba Barundi bose isinzi, si igitangaza, ni ivyo Imana yaringanije kuva kera.

5. Shimika rero, mwanyakwubahwa bepiskopi n'ibibagabaga vyanyu, muhereze, Umukama aheze yakire amashikanwa tugira tumuhereze duciye mu minwe yanyu kuri uyu musi udasanzwe kuko ni mwebwe bene Levi b'uno musi.

Benewacu mwese,
6. Nkuko nabivuze, ni umusi udasanzwe kuko iri sabukuru ritwibutsa ivyiza vyishi Imana yakoreye Uburundi naho tweho twari twayovye.
Nkako n'ijambo ry'Imana rirabitwibutsa riti : « Umukama ntazoheba igihugu ciwe, kuko izina ryiwe rihambaye,
kandi Umukama yashimye kubagira igihugu ciwe ». Nta kindi novuga ni ivyo nyene.

7. Mu vy'ukuri, turavye amagume Uburundi bwaciyemwo n'imitima ikomantaye twari dufise, nta kindi cadukijije atari ubukandizi bwa Bikira Mariya. Iyo ataba Mariya n'imva zacu ntiziba zikivurwa.
Mbere ndashobora kwemeza ko n'umutima bwenge watumye abo batwitangiye imbere babikora, ni Mutima mweranda yabibahaye kuko Imana yo nyene yari izi ibizoshikira Uburundi.

Mukwanka kuduheba, ica iduha umutima wo kwubaka umuhora wo kuyishikanako hakiri kare, tugume turi abayo naho inyosha mbi yari yamaze kutwizizira.

➢ Mwanyakwubahwa mwese,
➢ Bavukanyi

8. Ehe namwe nimusubize amaso inyuma, muza gusanga Abarundi harateye igihe baribagira uwabaremye, bibagira n'ubwoko bwabo, bibagira n'igihugu Imana yabasezeraniye ubutacisubirako.
Abarundi twari tuzi ko Imana ari yo Kizigenza mu Burundi, turarenga amabwirizwa yayo, tugandagura abantu bayo, amakungu arorera.
Mu burundi twarabuze abatware, tubura na gihanura. Iyo bitaba uko, ivyabaye ntivyari kuba ; mbere harateye n'igihe n'Imana tutakiyitinya.

Iyo tuba twarayitinya, abaherezankuka b'i Burundi, ari bo baduhuza n'Imana, baba baraharokotse.
Mbere n'uwosesangura neza no muri abo baherezankuka, ntiyobura n'abafashwe na Rwuba bakarigita abavukanyi babo b'Abarundi.

9. Mu gihugu cacu abari kuba abarongozi beza, abungere b'igihugu, nibo bacanishamwo bene Burundi, bagasobanura nkunzi na nyagupfa.
Harateye mbere n'igihe, igihugu c'Uburundi kibura abakibungabunga kuko indongozi nka zose ziharura mu moko y'amaremantanyo aho kwiharura mu bwoko bw'Abarundi.

Erega iyo baba babona nk'Abarundi twaba dukize kuko umaze kwitwa Umurundi, ubona mwenewanyu umurundi, ukabona icibare rusangi c'Abarundi hanyuma mukengengana, mukabungabunga n'igisata canyu.

None rero nyamucamwo amaze kuza, Abarundi barazimiye ubwenge, aho kubona umurundi mwenewabo bakabona umuhutu,

umututsi n'umutwa nkuko umengo igihugu c'Uburundi ciciyemwo ubwami butatu : i Buhutu, i Bututsi n'i Butwa. Mbere n'ubu hariho abakibigendera.

10. Nagira ndabamenyeshe ko ntegera ko igihe cose tuzogira indongozi z'igihugu aho kugishitura zigishitagura mumenye ko Uburundi buzoguma ari icanya citeze gutandagurika.
Ivyo vyarabaye aho hambere hahise, aho umwe wese yashaka kwikebera umuturi wiwe, ngo akuremwo akarenge.

Erega hari abahejeje kugisahura baca baja kwigurira amazu n'ayandi matungo mu mahanga mbere nabo nyene baca barikurira meza nk'uko umengo bararonse ahandi iwabo.

Ariko turabizi, uburuhiro bazomera nka wa mwana w'icangazi kuko impera y'inzira ni mu nzu. Igisigaye co kumenya ni « Mbega bazokwakirwa gute nibagaruka? ».
Ntabundi bwenge, ni kurya nyene urya mwana yakiriwe, ni twaba koko turi abana b'Imana, tuyubaha.
Ni co gituma nsubiye guhamagarira Abarundi bose bagikwega amaguru mu gutahuka iwabo,

kunyaruka kuko intambwe tugezeko haba mw'iterambere no mu bumwe ishimishije. Ni bateba na ho bazohava basanga dushitse kure bibagore kwiyumva mu bandi Barundi.

➢ Bavukanyi ;
➢ Bubahwa mwese ;

11. Ndabivuge, ndabisubire, mwumvise ivyadushikiye, iyo hataba umutamana wa Bikira Mariya, n'ukuri, igihugu kiba caragiye akagirire, cari kuba kimeze nka Somaliya.
Ariko Imana y'Uburundi ni yo yagumye ari Umwungere, irahava iduha n'umutima wo gusubira kusanasana igihugu cacu.
Ni Imana yabikoze kuko nta n'umwe yotahura ingene amasezerano ya Arusha yasasira indava amacakubiri mu gushinga imitwe ya politike yo kurongora igihugu, ishingiye ku moko, kugira ubwami bwa bwa bwoko navuga bikunde ko buronka umwami, ariko hageze kuyashira mu ngiro ya migwi ishingiye ku moko tukayibura iyo twayibonye.

12. Ntawotahura ingene mu gihugu imigwi yahora igwana ishobora kuja hamwe, bakararana hamwe mw'icumbi,
ifise ibigwanisho, atawuyigiye mu mwanya, bakubaka inzego zo gucungera umutekano zigizwe na bose mu gihugu. Ntawotegera kandi ukugene mu gihugu cari cariziziwe n'amacakubiri mbere Abarundi bagakoranira icaha gikomeye,
icaha c'amaraso, ariko bagashobora kwitoramwo, umuntu umwe, kandi bakemera ko abarongora, akababera umwungere. Ivyo vyose ni ibitangaza.

Ntivyumvikana ko mu gihe twari tukiriko turisanasana, amakungu adufatira ibihano, ariko Uburundi bukabandanya bubaho, Abarundi bafatanye mu nda.

Mbere n'inzara twahora tubona ikagabanuka bimwe biboneka ariko ibihugu bikundwa tukabona abavyo bashonje.

Ni Imana ; ni Imana, ni Imana ibikora ikabikomeza ; uwubibona akabona biregarega ariko bigumye.

None rero, bane b'Imana, inyuma y'iyo ntahe shingiye Imana ku vyiza yadukoreye, ni muze tuyishemeze, tuyisenge kuko ni yo ikwiye gusengwa.

13. Abarundi twese twahuriye ngaha imbere y'Imana, umwe wese afise umutwaro aje gushikiriza Imana.

Nanje nk'uwo mwatoye mukanshira imbere yanyu ngo ndabarongore naje kugira ngo dufatanye amajwi dushimire Imana kuko yadukoreye vyishi yongera irahezagira imigambi y'iterambere ry'igihugu.

14. Imana yaraduhaye imvura, turarima agatasi turimbura, turarima impeshi biramera turasoroma.

Ni vyo, twarahuye n'amageragezwa y'umwuzurira w'ikiyaga ca Tanganyika n'imisozi yasidutse kubera ihindagurika ry'ibihe. Ariko kubera ukwemera kwacu, turazi ko bitabaye ngo ni uko Imana yadukuyeko amaboko.

15. Turashimira kandi iyo Mana y'Uburundi kuko uyu musi ushitse Abarundi bafise umutima mu nda. Turavye honyene ibihe isi irimwo ibitewe n'ikiza Korona Virus, nta wari kwiyumvira ko iri sinzi ry'abantu ryoshoboye guhurira hamwe kuko henshi ubu bari mu kajembegete.

Ariko tweho kubw'ubuntu bw'Imana yacu, ntiturasiba na rimwe kuri uyu musozi uko umwaka utashe, tugahura tuvuye mu mihingo yose y'Uburundi, kandi tugasubira mu ngo zacu impore. None rero Imana ni ininahazwe mubayo, mu Burundi.

16. Dusubiye kuza kwihereza Imana duciye mu minwe ya Bikira Mariya, tuyihereza n'Uburundi, turiko dutera intambwe nshasha y'ubuzima bw'abenegihugu.
Duhimbaje uyu musi mukuru inzego nshasha zatowe zimaze kurangiza umwaka twovuga w'umukwanguro.

Bahora bavuga ngo umuhini mushasha utera amabavu ; Turashimira Imana ko tutakonyotse, naho twarushe kugira igihugu kigume kw'isemo, mbere gitere n'iyindi ntamwe.

17. Ugutunganya ibikorwa vy'igihugu twishimikije Ibwirizwa Shingiro rishasha ntivyoroha rimwe na rimwe kuko hashobora kuba n'ivyo tutategera kumwe ariko turabona ko twandaza kuko, nk'abanyepolitike, barategereye ko ubu tugeze aho gukora atari aho kuryanira ivyicaro.

18. Turashima cane ingene abanyepolitike basigaye bemera bakadutera akamo bashima ivyiza bikorwa, bakanegura bongera bahanura icokorwa kugira ngo dutere imbere twese.

19. Muri iyo ngendo nshasha, turashimira kandi amadini n'amashengero atari make kukugene bose bavuye hasi bagafatana mu nda, haba mu bisabisho, mu nyigisho ndoramana canke mu bikorwa.

20. Turashimiye icese, bimwe vy'umwihariko, Ekleziya Gatolika kuko ingene abasaserdoti n'abihebeye Imana bariko barakorana n'inzego z'igihugu mu bikorwa biteza imbere imibiri n'imitima y'abenegihugu birashimishije.

Tubipfurije kuguma kuri uwo murindi, dukora, dukeburana, twongera twungurana ubwenge n'ivyiyumviro kugira ngo ubu Burundi Imana yatugabiye tubugire koko igihugu c'amata n'ubuki, igihugu c'uburuhukiro.

21. Mbere ico kiri mu vyo twaje gusaba Imana kuri uyu musozi, twizeye ko kuri uno musi ngaha haza kuva umuco umurikira Uburundi kugira ngo, nkuko nabivuze ku musi mukuru wo kwikukira, dukomeze gufatana mu nda, dukore dushize hamwe nk'inzuki mu muzinga.

22. Uyu musi mukuru kandi uje hari imyitwarariko ihambaye Abarundi dufise ari yo nashaka kubasabikaniriza kugira ngo abaherezankuka b'igihugu muheze mudufashe mukuyishikiriza Imana kuri Altari nyeranda.
Ubwa mbere, Abarundi barafise umwitwarariko wo kumenya ukuri ku mabi yashikiye Abarundi no gusubiza hamwe.
Ku vy'ukuri uwosesa akari mu mutima w'Umurundi umwe umwe, nta n'umwe adafise ishaka ry'ukubohoka, tukava mu migozi y'ivyadushikiye muri kahise.
Ariko kubera ari ibiteye agahinda, bikaba vyaradukomerekeje kandi bikaba vyaguma vyisubiriza kenshi, n'ubu hari abagikekeranya, bibaza ko bishobora kugaruka canke mbere hakaba n'abiyumvira ko, kubera ababikoze batahanywe n'ubutegetsi bw'igihugu, hari aho hohava hamera mu mitima ya bamwe bamwe, agatima ko kwihora,

mbere n'abarutse vuba, batanabibonye bagahava bagwa mu mporero.

Murumva ko tugenzwa n'imitima ibiri, bikaba na vyo bishobora kuducamwo imice.

Uwabikoze, ku mutima asaba ko vyokwibagirwa, uwabikorewe nawe agasaba ko vyoja ahabona kugira nawe aruhuke ku mutima.

Uwabibonye gusa nawe ati ntituvyure ibisigo bisinziriye, vyodusubiza mw'ihumbi.

Ariko bose ico bahurirako ni uko twobitatura, tukizeza Abarundi bose ko bitazosubira kandi atawuzogwa mu mporero.

Kugira ngo bishoboke ni uko vyoja ahabona, Abarundi tukabinegurira hamwe, tugaheza tukihanikirizanya tuti : Ntibigasubire.

Ico gikorwa rero gisaba kugira umutima runtu, umutima wo kwihangana ndetse umutima uremye.

Ku ruhande rwanje, nagomba ndabizeze ko bitazosubira. Uwukekeranya nagira ndamwereke igituma : Uno musi tubaza tuti, kugira ayo mabi abe, indongozi mu gihugu bari hehe ?

Narabonye ko icatwishe ari indongozi zitigize zimenya ko ari abavyeyi b'Abarundi, hanyuma bahengamira ku bwoko.

None rero ni mureme, ubu hari Reta mvyeyi, twebwe tuyiserukira turemera ko dukora ico umuvyeyi akora. Uburongozi bw'Igihugu ni uguhagararira amategeko, ubutegetsi nabwo ni amategeko. Ni mureme rero, ntamuntu azorwa mu mporero. Igihe cose jewe nzoba ndi imbere yanyu, sinzokwemera ko hari umurundi anyikiza mwenewabo. Muzotubonera mu nyifato yacu, ntitwogira ico tunegura ngo abe ari co dukora.

Ubwa kabiri, turafise umwitwarariko wo gutsimbataza intwaro ibereye mu burongozi bw'igihugu.
Turasaba ko indongozi zose zovavanura n'umutima wo kwikebera ivy'igihugu camuragije.
Twese tugategera ko turi abungere mu murima Imana yahaye Abarundi, tuzonezerwa tubonye abarundi baroraniwe ahandi ho nta cegeranyo twoba dufise twoshikiriza Imana yabaturagije.
Ubwa gatatu turafise umwitwarariko wo kuvavanura n'ubukene kuko ni bwo butuma twama mu ndyane kuko aharaye inzara hazinduka inzigo, kandi umusezi yanka uwundi.
Gusega ni yo nkomoko y'amacakubiri.

Bavukanyi,
Ibi bintu bitatu bihambaye ni vyo dusavye mwebwe, abaherezankuka b'igihugu, mubidushikanire ku meza meranda Imana iduhe uwo mutima wo kubitunganya neza, dufatanye mu nda.

23. Ariko mu guheraheza, nagomba kumenyesha ko twipfuza ko uyu musi utoba nk'iyindi misi twabonye.
Aha twahaje akatari gake kandi twarahezagiwe. Jeho nahaje kenshi kuva nkiri ikibondo kuko ndi no mu mugongo sinkekeranya ko Mawe yahanzanye.

Ko rero turi mu mwaka wa kabiri turiko dukorera kw'Ibwirizwa Shingiro ryahaye ikibanza nyaco Imana, igashirwa hejuru y'indongozi z'igihugu, reka uyu musozi na wo utubere icibutso ntibagirwa.

Aha hantu, nkuko vyamye no hambere hose, hamye hambarizwa Imana Rudasumbwa ;

Turavye ingene n'abamisiyonari bavuye mu mahanga Imana ikabatumbereza aha nyene mu mana za Mugera, bakahashinga icicaro ca mbere c'umwungere wa Ekleziya y'Uburundi;

Tukishimikiza kandi iciyumviro cahurijweko n'Umuganwa Rwagasore yaserukira uburongozi bw'igihugu ku ruhande rumwe, n'abungere ba Ekleziya kurundi ruhande;

Ndumva ko aha hantu ari ikibanza gikomeye c'Imana mu Burundi.

Ni co gituma nsaba ko twese Abarundi twokwemera ko hubakwa ikimenyetso cikwije iteka, kibereye koko ikibanza c'Imana mu Burundi kuko Imana yahatoye kera.

Reka nimerere nka Petero ati uwohagira insago zitatu. Nanje mbona aha hantu twohubaka neza ingoro y'Imana ihimbaye ku gihugu cashize Imana imbere.

Mbere jewe ni kuri ico ciyumviro mperejeko nsaba Imana Mushoboravyose ngo ihezagire Uburundi n'Abarundi nk'uko yamye;

Murakoze,

Imana ibandanye ihezagira Uburundi n'Abarundi